Intambuko Wokurikiza mu Kuronka Uruhusha rwo Gutwara Umuduga

Ntibirekuwe n'amategeko gutwara umuduga muri Western Australia udafise uruhusha rwemewe n'amategeko rwo gutwara umuduga canke uruhusa mfatakibanza. Kurenga ayo mategeko birashobora gutuma ibiro vya Polisi vyo muri WA bigukurikirana, kuja muri Sentare, gucibwa ibihano, gufungwa, canke kuja mu matati n'abakomeretse.

Hariho intambuko 6 kugira uronke Uruhusha rwo Gutwara Umuduga muri Western Australia.

INTAMBUKO YA 1
KURONKA URUHUSHA MFATAKIBANZA

- Ugomba gukora ikibazo uhawe n'ubijejwe imbonankubone canke ugakora ikibazo co kuri computer kuvyerekeye amategeko y'ibarabara.
- Ugomba kuba ufise icemezo c'amavuko, uruhusha rwo gusohoka hanze y'igihugu, canke uruhusha rwo kuba muri Australia canke icete c'ubwenegihugu.
- Ugomba kwibangikanya kandi ikarata yo Kuvurirwako, ikarata yo kwa muganga canke igitabu ca banki cerekana aho wateye igikumwe kandi bikaba vyerekana aho uba ubu.
- Bizosaba ko uriha amahera. Ayo mahera n'ayatangwa kubera ico kibazo no kukurekurira kwiga umuduga igihe wamenye ico kibazo. Ayo mahera akurihira ikibazo ca mbere co gutwara umuduga mw'ibarabara.

INTAMBUKO YA 2
KWIGA GUTWARA UMUDUGA

- Urashobora gutangura kwiga gutwara umuduga urikumwe n'umwigisha afise uruhusha rwo mu murwi umwe nawe, akaba amaze imyaka 4 atwara umuduga.
- Ugomba kwibangikanya uruhusa rwo gutwara umuduga rw'umwigisha wawe .
- Ugomba kwerekana igihe cose icapa cuko uriko uriga gutwara umuduga (L plates).
- Birabujijwe kunywa inzoga uriko uratwara umuduga.

INTAMBUKO YA 3
GUKORA IKIBAZO CA MBERE CO GUTWARA UMUDUGA

- Ugomba kuba urengeje imyaka y'amavuko16 n'amezi 6.
- Ugomba kuba ufise umuduga ukomeye mu gihe co gukora ikibazo. Ikibazo cawe co gutwara umuduga kirarihirwa amahera ufise uruhusha mfatakibanza co gutwara umuduga. Igihe utamenye ico kibazo ca mbere, uzosabwa kwirihira ayandi mahera ku kibazo kindi uzokora.

INTAMBUKO YA 4
KURONKA IGITABO CO KWANDIKAMO INGENE WIGA GUTWARA UMUDUGA

- Igihe wakoze ikibazo ugatsinda, uzohabwa igitabu co kwandikamo ingene wiga umuduga.
- Usabwa kuriha amahera kubera ico gitabu baguhaye.
- Ugomba guheza amasaha atari munsi ya 25 uriko urihwezwa ingene utwara umuduga uri kumwe n'umwigisha.
- Utegerezwa kwandika miri ico gitabu ivyerekey ingene watwaye umuduga.
- Ico gitabu cemewe n'amategeko, ku bwico, ivyanditsemo bigomba kuba ari ivyukuri, biteweko igikumwe kandi biriko n'icabona.
- Ugomba kuba ufise icapa cerekana ko uriko wiga umuduga (L PLATES).
- Birabujijwe kunywa inzoga uriko uratwara umuduga.

INTAMBUKO YA 5
IKIBAZO C'IBYITONDERWA BIFISE DANGER

- Imbere yuko uronka uruhusha rwo gutwara umuduga, uzokora ikibazo co kuri computer cerekana uko wokwifata mu gihe c'imiduga myinshi, hanyuma ugafata ingingo zibereye zo gutwara neza umuduga.
- Ugomba kuba ukwije imyaka 17.
- Igitabu co kwandikamo ivyo kwiga umudugakigomba kwerekana amasaha 25 wize, ateweko igikumwe n'umwigisha wawe canke uwumuhagarariye.
- Uzokwitwaze ico gitabo co kwiga umuduga, ibikuranga uwuriwe ku biro vy'intara canke kubabahagarariye bajejwe gutanga ikibazo.
- Uzotanga amahera kugira ukore ikibazo.

INTAMBUKO 6
URUHUSHA RWO GUTWARA UMUDUGA

- Igihe uzoba uhejeje intambuko zose zavuzwe hejuru,kandi wamenye ibibazo vyose, uzoca uronka urwo ruhusha rwo gutwara umuduga.
- Uzofatwa ifoto yo gushira kuri urwo ruhusha rwo gutwara umuduga.
- Uzotegerezwa gutanga amahera kugira uronke urwo ruhusha rwawe rwo gutwara umuduga.
- Birabujijwe kunywa inzoga uriko uratwara umuduga.

Kirundi 16/05/2008

Department for Planning and Infrastructure
Government of Western Australia

DRIVE SAFE. ARRIVE SAFE.
SPEED AND RED LIGHT CAMERA FUNDED PROJECT
www.officeofroadsafety.wa.gov.au

Izi nkuru zarihiwe na Insurance Commission ya Western Australia mu gukingira ubuzima bw'abantu bagendera mu mabarabara yo muri Western Australia